# Dawidi na Goliyati

- Old Testament Ⅱ / 6th story -

www.kidworship.kr



48Page

**Uwuvuga** Dawudi yari agahungu k'akungere. Yararagira neza ariko kandi yaravuza n'inanga mu gutazira Uhoraho.

**Dawidi** Uhoraho ni umwungere wanje ntaco nzokena. Nkoresheje inanga yanje ndaha amashimwe Uhoraho n'indirimbo nsha nkamutazira.

**Uwuvuga** Mu bagenzi biwe, Dawidi yari azwi nk'umurongozi akomeye mu gutazira Uhoraho akavuza inanga neza. Yari azwi kandi nk'umusenzi akomeye. Dawidi yama imisi yose yizera ko Uhoraho ari kumwe nawe.

---



49Page

**Uwuvuga** Aragiye intama, Dawidi yararwana n'intambwe n'idubu zagomba kumurirako intama. Dawidi yari muto cane kandi yaragira ubwoba bwo guhangana n'intambwe canke idudu ziteye ubwoba ari wenyene. Dawudi yaca asenga Uhoraho.


**Dawidi** Data, ndakwinginze undindire intama zanje intambwe n'idubu.

**Uwuvuga** Dawidi yarakina cane itopito yiwe kugira ngo azoshobore kurinda intama zitewe n'intambwe, idubu canke ibindi bikoko vy'inkazi.

**Dawidi** Woosh, wooosh, woosh, woosh, woosh!

**Uwuvuga** Dawidi ateye yaragema cane n'umugozi wiwe. Igihe cose igikoko cegereye , yarashobora kugitera, yaba intambwe canke idubu. Ico gikoko caca gikura iyo ntama mu menyo kigatemaguza.

---



50Page

**Uwuvuga** Igihe kimwe, Abisirayeli bahangana n'abafirisitiya.
Se wa Dawidi yari yamutumye ku rugamba kugemurira bakuruwe. Ahashitse asanga Goliyati ariko aracokora abantu b'Uhoraho.

**Goliyati** Hahahaha! Hari uwoshobora kundwanya muri mwebwe?

**Uwuvuga** Dawidi abaza abisirayeli ukuntu bashobora kureka uwo mufirisitiya agacokora ingabo z'Uhoraho. Abantu bamwe baramwumvise bashikiriza umwami Sauli hanyuma aca aramutumako ku kirimba.

**Dawidi** Mwami wanje! Ntidushobora gucika umutima kubera uwo mufiristiya. Jewe, umusavyi wawe, nzogenda ndamugwanye. Ntidukekeranya Uhoraho azoba ariko kumwe natwe.

**Sauli** Ntiwoshobora guhangana n'uwo mufirisitiya ngo umurwanye. Uracari umwana nawe yabaye umurwanyi kuva mu buto bwiwe.

**Dawidi** Ndi umwungere w'intama za data. Iyo intambwe canke idubu ije gusahura umwagazi w'intama, ndayirukangako, nkayikubita nkongera nkarokora uwo mwagazi mu kanwa kayo. Vyogenda gute ngo Imana ibaho ireke uyu mufiristiya acokore abantu bayo?

**Uwuvuga** Dawidi yari yizeye ko Uhoraho amufasha kunesha Goliyati, uwo mufirisitiya yariko aracokora abantu bayo.

---



51Page


**Uwuvuga** Imbere yo kuja kurwanya Goliyati, Dawidi ahitana wa mugozi wiwe akoresha mu kurwanya intambwe n'idubu ku musozi. Ahitana n'amabuye atanu y'iminana ayabika mw'isaho yiwe.Goliyati abonye Dawidi amwegereje aramutwenga.

**Goliyati** Hahahaha! Mbega nabaye imbwa aho uza kundwanya n'inkoni? Wa kijuju we...

**Uwuvuga** Ariko Dawidi ntiyagira ubwoba. Dawidi avugira imbere ya Goliyati:

**Dawidi** Uje kurwana nanje n'inkota hamwe n'icumu, ariko jewe naje kukurwanya mw'izina ry'Imana mushoboravyose, Imana y'ingabo z'abisirayeli, wacokoye.

---



52Page

**Uwuvuga** Tora ibuye arishira mw'itopito aririsa mu gahanga ka wa m'umufirisitiya. Rya buye rimwinjira mu gahanga aca agwa hasi. Dawidi ariruka amuhagarарako. Atora ya nkota ya Goliyati, ayisokora mu rwubati hanyuma aca umutwe wa Goliyati.

Abafirisitiya babonye ko intwari yabo ipfuye, barahindura baratemaguza, abisirayeli baratsinda urugamba uwo musi. Nk'uko yama yizera igihe ahanganye n'intare canke idudu y'inkazi, niko Dawidi yatsinze urugamba uwo musi, kuko yizeye inkomezi z'Uhoraho.

Ubwa mbere Dawidi yanesheje intare n'idubu ariko mu nyuma yashoboye gutsinda ikigatanya giteye ubwoba nka Goliyati kugira ngo arokore abisirayeli kandi abashikane ku ntsinzi y'igitangaza.